Bibiliya y'Abana
Ishikirije

Intango y'Umubabaro w'Umwana w'Umuntu



Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na: Byron Unger; Lazarus

Isobanurwa mu Kirundi na: Rémy Christian NTIRURIKURE

Itunganywa na: M. Maillot; Tammy S.

Inkuru 2 kuri 60

www.M1914.org

Bible for Children, *PO Box 3, Winnipeg, MB R3C 2G1 Canada*

Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.

Ikirundi

Kirundi

"Mbega Imana yarababwiye kutarya ku biti vyose?" inzoka ibaza Eva. "Turashobora kurya ku vyamwa vyose kiretse kimwe," arishura. "Nitwarya canke tugakora kuri kirya camwa, tuzopfa." "Ntimuzopfa," inzoka iritwengera.
3

"Uzoca uhinduka nk'Imana." Eva yifuza ca camwa co kuri ca giti. Yumviriza ya nzoka aheza ararya ca camwa.
4

Inyuma y'aho Eva agararije Imana, aca ajana Adamu kurya ca camwa nawe. Adamu yari gutegerezwa kuvuga, "Oya! Singarariza Ijambo ry'Imana."
5


Igihe Adamu na Eva bamaze gukora icaha, bose uko ari babiri bamenya ko bari gusa.
6

Bafatanya amababi y'umusukoni bayikoramwo agahuzu, barifuka, baraheza baranyegera mu gisanze, bihisha ubwiza bw'Imana.
7


Mu kayaga ko ku mugoroba Imana iza mw'ishamba (rya Edeni). Yari izi ico Adamu na Eva bakoze. Adamu ashavurira Eva. Eva ashavurira inzoka. Imana ivuga, "inzoka iravumwe. Umugore azogira ububabare igihe avyara abana."
8

"Adamu, kubera ko wakoze icaha, isi iravumwe izokwama amahwa n'imigenge. Uzokora uruhe kandi ubire akuya kugira uronke ivyo urya ku musi ku musi."

9



Imana ikura Adamu na Eva muri rya shamba ry'igitangaza. Kubera ko bakoze icaha, baca batandukana n'Imana itanga ubugingo!

10



Imana irema inkota yaka umuriro kugira ibigizeyo. Imana itegura impuzu mu nshato iha Adamu na Eva. Imana yakuye inshato hehe?

11

Muri ico gihe, umuryango wari uvutse kuri Adamu na Eva. Umuhungu wabo wa mbere, Kayini, yabaye umurimyi. Umuhungu wabo wa kabiri, Abeli, aba umworozi.

12

Umusi umwe Kayini azanira Imana ivyimburwa bimwe bimwe nk'ishikanwa. Abeli azana intama nziza zirengeye urugero nk'ingabirano ku Mana. Imana ihimbarwa n'ishikanwa rya Abeli.

13

Imana ntiyanezererewe ishikanwa rya Kayini. Kayini araheza arashavura cane. Ariko Imana iravuga, "wokora ibigororotse, mbega ntiwokwemerwa?"

14

Ishavu rya Kayini ntiryamuvamwo. Haciye igihe, bari mu mirima, agwa kuri Abel araheza aramwica!



15

Imana ibwira Kayini, "mweneso, Abeli, ari hehe?" "Sinzi," Kayini arabesha. "Mbega mbaye umwungere wa mwene data?" Imana ihana Kayini mu kumwaka ububasha bwo kurima, iraheza imugira inyererezi.

16

Kayini ava mu bwiza bw'UHORAHO. Yubakana n'umukobwa wa Adamu na Eva. Bagira umuryango. Mu gihe gito, abuzukuru n'abuzukuruza ba Kayini bakwira igisagara yatanguje.

17

Muri ako kanya, umuryango wa Adamu na Eva uragwira ningoga. Muri iyo misi, abantu babaho igihe kirekire gusumba muri ino misi.

18

Igihe umuhungu wiwe Seti yavuka, Eva aravuga, "Imana yampaye Seti ngo asubirire Abeli." Seti yari umuntu yubaha Imana abaho imyaka 912 kandi avyara abana benshi.

19

Mw'isi, abantu bahinduka ibigaba nk'uko uruvyaro rwagenda rukurikira urundi.

20



Intango y'Umubabaro w'Umwana w'Umuntu

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Itanguriro 3-6

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

Imana irazi ko twakoze ibibi, ivyo yita icaha. Igihano c, icaha ni urupfu.

Imana iradukunda cane yarungitse umwana wayo, Yesu, gupfa ku musalaba hama ariha igihano cacu. Yesu yasubiye kuba muzima hama asubira mw'ijuru. Ubu rero Imana ishobora kuduharira ivyaha vyacu.

Ushaka kuva mu vyaha, bwira ibi Imana: Mana nziza, Ndizera ko Yesu yapfuye ku bwanje ubu akaba ari muzima. Rero ingo mu buzima bwanje uharire ivyaha vyanje, kugira ubu ngire ubuzima bushasha, hama nze mbane na we ibihe bidashira. Mfasha kubaho ku bwawe nk'umwana wawe. Amen. Yohana 3:16

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose.